# Wisconsin Medicaid na BadgerCare Plus
# Ubuvuzi Bwerekeranye n'Igituntu Gusa

(Wisconsin Medicaid and BadgerCare Plus Tuberculosis-Related Only Services)

Ubuvuzi Bwerekeranye n'Igituntu Gusa ni ibikogwa vyo kwitaho amagara bigenewe abantu bamaze gupimwa igituntu ariko badakwije ivyangombwa vyo kwiyandikisha muri Wisconsin Medicaid canke BadgerCare Plus. Ibikorwa vy' Ubuvuzi Bwerekeranye n'Igituntu Gusa bibafasha kubarihira amwe mu mahera y'ubuvuzi bw' umugera w' igituntu (TB) canke ingwara y'igituntu.

Mu kwiyandikisha muri bino bikogwa, umuntu ategerezwa kuba yujuje amategeko y'amahera yinjiza kandi akaba amaze kwandura igituntu (TB). Ku muntu umwe, amahera y'ukwezi yose hamwe ntarengwa ni $2,019. Ku miryango y'ababiranye, amahera y'ukwezi yose hamwe ntarengwa ni $2,985.

Ku mwana ari munsi y'imyaka 19 aba muhira I wabo, amwe mu mahera abavyeyi binjiza ashobora guharurwamwo. Iyo umuntu yubatse, amwe mu mafranga y'umufasha wiwe ashobora guharurwamwo.

Ubuvuzi Bwerekeranye n'Igituntu Gusa abarihira gusa ubuvuzi bwerekeranye no kwitaho igituntu (TB). Aho harimwo:

- Ibikorwa vyo kwa muganga.
- Imiti mwandikiwe.
- Ibipimo vyo muri laboratware n'imurikwa mw'iradiyo.
- Ibikorwa vyo ku bitaro.
- Ibikorwa vyagenwe vyo gukwirikirana dosiye yawe.
- Ibikorwa vyagenwe mu kugushigikira gukomeza kuvurwa.
- Ibikorwa biri nkenerwa bivuye ku ngaruka zo ku ruhande ziva ku miti wandikiwe mu kuvura igituntu (TB).

**Menya neza:** Ibi bikorwa ntibizogufasha kwishura kurara mu bitaro canke icumba no kwinjira ibitaro.

## Ni Gute Usaba Kwandikwa

Mu kuraba nimba woba woshobora kwemererwa guhabwa Ubuvuzi Bwerekeranye n'Igituntu Gusa, genda usabe kwandikwa ku biro bikwegereye. Mu kumenya ibiro bikwegereye, genda kuri www.dhs.wisconsin.gov/forwardhealth/imagency/index.htm canke urondere Umwe Ujejwe Ibikogwa kuri 800-362-3002.

## Mu Kumenya ibisaga

Rondera umwe muri aba Bakwirikira:

- Ibikorwa vy'Abanywanyi kuri 800-362-3002 (ijwi) canke 711 (TTY)
- Ajansi yawe
- Ikigo kijejwe amagara y'abantu cawe. Mu kuronka amakuru yo guterefona Ikigo kijejwe amagara y'abantu cawe, genda kuri www.dhs.wisconsin.gov/lh-depts/counties.htm.

**Icemezo co Kudakumirwa**

Department of Health Services (Ikigo Kijejwe Amagara y'Abantu) ni ikigo gitanga amahirwe y'akazi n'ubufasha ku buryo bungana. N'uwaba ufise ubumuga canke ushaka guhabwa aya makuru mu buryo butandukanye, canke mu rundi rurimi asiguwe, duhamagare kuri 844-201-6870 (ijwi) canke 711 (TTY). Guhindura mu rundi rurimi kwose ni ku buntu.

Ku bibazo vyerekeranye n'uburenganzira bw'abantu, hamagara 608-267-4955 (ijwi) canke 711 (TTY).

WISCONSIN DEPARTMENT of HEALTH SERVICES

P-10022RN (01/2025)